Amakontara

Uburyo bwo gukoresha amahera

kontara ni iki?

Kontara ni amasezerano yemewe n'amategeko. Ni ubwumvikane hagati y'abantu babiri canke barenga

Ushobora kwemera kontara mu gushirako umukono, canke kuvuga ko uzobikora mu majambo, canke kuri barya bakoresha interineti, kuvivura ahantu haba handitse ngo: uravyemera? Ku mafomu yo kuri interineti

Gusinya kontara (amasezerano)

Wemera amasezerano yanditse mu kuyasinyako. Aha ni hamwe wandika izina ryawe ku masezerano

Amasezerano yo ku munwa

Uba wemeye amasezerano yo kumunwa iyo uvuze ko ushaka gukora canke kugura ikintu. Aha harimwo amajamabo nka: "YES", bisigura ngo "EGO", canke ngo "I AGREE", bisigura ngo "NDEMEYE". Bikunda gushika ko umuntu aja muri aya masezerano yo kuvuga ku munwa, uriko urasaba ibintu nk'umuyagankuba, terefone ngendanwa. Ushobora kuba wahamagaye kuri terefone canke wigiriye aho ico kintu kigurishirizwa.

Amasezerano ni iki?

Amasezerano ni ukumvikana hagati y'abantu babiri canke barenze. Si kontara. Akarorero, iyo wemereye incuti yawe kuyunguruza mu muduga wawe, ayo ni amasezerano, ntabwo ari itegeko.

Ntuze wemere kontra kiretse uyitegera neza

Utegerezwa gutegera vyose mbere y'ukwinjira muri kontara. Hariho ama kontara menshi uzokenera gusinya. Nk'akarorero, kugira ngo ukodeshe inzu, kuguruza konte kuri banki.
Ni ukumenya aho witura wizigiye, bakagufasha vyihutirwa.

Ibuka ko

- Kontara ari amasezerano ashigikiwe n'itegeko
- Ntuzoshire umukono kuri kontara nimwe udategera
- Ama kontara amwe amwe wamaze kuyasinya ntushobora kwihindukiza naho woba wahinduye ivyiyumviro

Ni vyiza gutegera mbere yo kwemera ico arico cose

Umuntu yitwa Hayat yugururiye umuntu yariko akomanga ku rugi rwiwe, uyo muntu aca atangura kumuvugisha avuga anyarutsa, amubwira ngo agure imashini ikubura, Hayat araha ikaze uyo muntu mu nzu.

Urya muntu agurisha ibintu aramwereka ingene iyo mashini ikora hama amuha ikontara. Urya muntu abwira Hayat ko agomba gusinya kuri iyo kontara nimba ashaka kugura iyo mashini ikubura munzu.

Hayat biramugora kubaza ibibazo kubera uyo mudandaza avuga anyarutsa kandi nawe icongereza atarakimenya. Amubwira ko akeneye imfashanyo kugira ngo ategere iyo kontara mbere y'uko asinya.

Hayat asaba uyo mudandaza ko yosiga iyo kontara, amaze kumubwira ko akeneye akanya kugirango ashobore gutegera ibiyirimwo.

Hayat asaba incuti yiwe Miranda kumufasha. Miranda aca atwara Hayat ku biro vyitwararika amategeko mu banyagihugu, ngo abonane n'umukozi waho.

Uyo mukozi arasigurira Hayat ko iyo mashini ikubura yomutwara amahera menshi cane hamwe yobishirako umukono kandi aramushimira ko atihutiye gushirako igikumu atabanje kubaza. Uyo mukozi aca arasigura ko ari vyiza kubaza umuntu wizeye iminsi yose.

MONEYSMART

© ASIC 2012 all rights reserved

Ni hehe umuntu yoronka izindi nkuru

Ku mfashanyo zijanye n'amakontara y'ingurane, ja ku murongo wa interineti wa: MoneySmart, **www.moneysmart.gov.au**, canke ubahamagare kuri 1300 300 630.

Ugize ikibazo ca gaze canke umuyagankuba, canke terefone ca uhamagara muri iryo shirahamwe ribigushikanako

Ibiro vy'urudandaza rukurikiza amategeko

Ufise ikibazo c'abantu bakuzako kukugurishako ibintu vyabo iwawe, ku muryango, uca uhamagara muri ivyo biro biraba urudandaza.

Kugira ngo umenye aho ivyo biro bikorera raba kuri interineti ya Fair Trading Office: **www.consumerlaw.gov.au**

Ibiro vyitwararika amategeko mu banyagihugu

Ugiranye ikibazo n'ikontara, uca uhamagara muri ivyo biro vyitwararika ibijanye n'amategeko mu banyagihugu. Ivyo biro biba vyigenga, vyashiriweho gufasha abanyagihugu kubijanye n'amategeko kuri gusa. The National Association of Community Legal Centres, **www.naclc.org.au**, ni ihuriro ry'ibiro vyitwararika ibijanye n'amategeko mu banyagihugu, ku rwego rw'intara. Kugira umenye aho ibiro bikwegereye bikorera ni ukuraba kuri interineti: **www.naclc.org.au/directory**

Uwuvugira abagize ibibazo vyerekeye ugutumatumanako

Ugize ikibazo cerekeye kontara y'iterefone yawe canke interineti, canke ishirahamwe ritanga imfashanyo, uca uraba kuri interineti ku murongo w' Uwuvugira abagize ibibazo vyerekeye ugutumatumanako: **www.tio.com.au** canke ugahamagara kuri 1800 062 058 (izo nomero nta mahera zitwara iyo ukoresheje iterefone yo munzu)

© ASIC 2012 all rights reserved